**GODLY . . . BUT GULLIBLE**

# Lesson 149

**Joshua 9:1-15**

Memory verse : " ***For such men are false apostles, deceitful workers, masquerading as Christ's apostles.*** " 2 Corinthians 11:13

**BISA N'IVY'IMANA … ARIKO NI UBURYARYA**

# Lesson 149

**Yosuwa 9:1-15**

**Ijambo ngenderwako :** « Abameze batryo n'intumwa z'ibinyoma, n'abakozi bagunga, bigira intumwa za Kristo**.** » **2 Korinto 11:13**

## I. Intangamarara

Mu buzima bw'abantu bose, Impwemu yo kurobanura ni nkenerwa igihe cose. Akenshi abakijijwe urasanga barwa vuba mu mutego w'abanyakinyoma. Abavuga ivy'Imana ni benshi, ariko si bose ari abakozi bayo

## II. Amakosa atatu ya Yosuwa.

Nk'uko tubisoma, abami bo muri aka karere bari barumvise ivyo Uhoraho yakoreye Abisirayeli kuva bakori muri Egiputa. ibi vyatumye bagira ubwoba. Nico catumye aba bi Gibeyoni bakora inama y'ubwenge kugira bakize amagara yabo n'ayo imiryango yabo. Kuva i Gibeyoni gushika i Gilugari rwari urugendo rw'iminita 20. Bakora ibishoboka, bahashika basa n'abamaze imisi mu rugendo, kandi barushe.

## III. Inkuru y'uburyara

Batanguye kwemeza Yosuwa ko bavuye kure cane. Twarumvise ivyo Uhoraho yabakoreye mukuva muri Egiputa no ku kiyaga gitukura. Ntibavuze inkuru zi Yeriko ni Hayi, kuko aho baca bamenya ko atari abakure. Barababwira bati : Turi abasavyi bawe. Turagusavye isezerano ryo kubana amahoro namwe.

Iki cari igikomeye cane kuri Yosuwa n'Abisirayeli bose. Ni nawo mutego abakijijwe bama bararwamwo kenshi. Ngaya makosa ya Yosuwa :

**1.** Ikosa rya mbere, **Soma umurongo wa 12-13.** Kurabisha ibintu amaso, ukumva amajambo asosa ava mu kanwa, ukavyemeza nk'ukuri. Aba ba Gibeyoni, mu mvuga zabo, bakoresha Umwanya wa kahise kindegagihe kandi ata minota 30 iheze bavuye iwabo. Kuri Yosuwa n'abarongozi, babona ari ukuri kudasubirwamwo, nayo ari ikinyoma. Uku niko abakristo (abakobwa, abadandaza,…) benshi barwa mu mutego wo kubeshwa baravye ivyinyuma bakumva n'amajambo asosa. Abandi basukwa n'inyigisho z' ibinyoma, bagata ukwizera, bagakurikira abo.

2. Ikosa rya kabiri. Soma **Gusubira mu vyagezwe 20:10-11.**
Aba b'i Gilugali, imbere yuko bashira mu ngiro uyu mugambi, babanje gutohoza no gusoma isezerano ryose Abisirayeli bafitaniye n'Uhoraho Imana yabo. Bafatira kuri ryo, bahenda Yosuwa n'abakuru b'ishengero. Uwugomba kuguta mu manga, arabanza agatohoza ubuzima

ubayemwo, ukwizera kwawe, … Ijambo ry'Imana ryo ni ukuri, ariko hari abenshi bashobora kurifatirako, bagacurika insiguro yaryo kugira bakoreshe ivyaha abandi canke babibe.

Iyi ni ingorane ikomeye ishengero ririko riracamwo muri iyi misi y'iherezo. Nk'uko Pawulo yavyandikiye Timoteyo. **Soma 2 Timoteyo 4 :3**
Ni muri iki gihe, abanyamashengero batagishaka kumva inyigisho zishira ahabona ivyaha vyabo, barakunda cane inyigisho zibasezeranira ubuzima bwiza bwa hano kw'isi, amasezerano y'ubutunzi n'ibindi. Naho ivyo ari vyiza, igihambaye ni uko izina ryawe riba ryanditse mu gitabo c'ubugingo. Ibi navyo bishoboka iyo wihanye ivyaha vyose, ukababarirwa.

3. Ikosa rya gatatu. **Soma Yosuwa 9:14-15 .** Izi mpamba (Ubutunzi) nizo zatumye Yosuwa n'abakuru b'ishengero babemera nk'abantu beza, babaha indahiro yo kubana nabo amahoro, batarinze kugisha inama Imana.

Iri ryari ikosa rikomeye ku Bisirayeli kuko bashize amaso ku biboneka, ntibitaho kugisha inama Imana, ngo basome ijambo ryayo, ribereke ico ibivugako. Yosuwa yahora yama asiguza UHoraho ico akwiye gukora, igihe cose yaba afise ico akora. Ariko ubu ho yabifashe nk'ibidakenewe, asanga yitaye mu mutego. **Zaburi :25:3** « *Ni koko, abakwiteze nta wuzomaramara.* »

## IV. Gushira mu ngiro.

ijambo ry'Imana niryo mucho ku bizera, Pawulo amaze kubigenzura neza vyose, yandikira ab'Ikorinto ati : « *Abameze batryo n'intumwa z'ibinyoma, n'abakozi bagunga, bigira intumwa za Kristo* » Muri iki gihe abigira intumwa za Christo bararwiriye, bemeza abantu ko bakijijwe, bagakoreshwa n'Imana bakoresheje imvugo n'ibikorwa vy'uburyarya. » (Mu kuvugishwa bakijugumiza, bagakoresha imvuga y'amajambo atamenyekana, mu kuvuga butumwa bavuza induru n'ibindi) Abenshi badatahura ijambo ry'Imana, barabirwamwo nka Yosuwa. Ehe ico Imana ivuga ni kugisha inama Imana mu kumenya ico ijambo ryayo rivuga.

Kugira ivyawe bize bigende neza, hora usaba uhoraho impanuro, muhe icubahiro, umuhe uburenganzira aguhitiremwo ico ukwiye gukora. Vyose bishoboka mu gusenga.

**Character!**
**SECOND IN COMMAND : life of Joshua VI**

## Lesson 150

**Joshua 9 :16-27**

**IMYIFATO, ITEGEKO RIGIRA KABIRI**

## Icirwa c'i 150

**Yosuwa** 9:16-27

**Ijambo ngenderwako :** *« Mugire ingeso nziza mu mahanga, kugira ngo no kuvyo babavuga nabi nk'inkozi z'ibiib ; ibikorwa vyanyu vyiza babona bizotume bahimbaza Imana ku miusi ibagendeye »* 1 Petero 2:12

**I. Intangamarara**

Mu mwaka w'i 1929 umugabo yitwa Liberity yakoze igenzura, arungikira abantu 100 amakete yashizemwo i dolari rimwe nk'uwutabibonye, Bahejeje gusoma, bose bararimusubije barabona ko yihenze. Asubira kubikora 1971, abashika 13 muri bo bararimusubiza. Abisubiye mu mwaka 1971, nta n'umwe yarimusubije. Ingeso z'abantu zigebda zononekara uko ibihe bikuranwa.

Imyifato iboneka mu ngingo umuntu afata imbere y'ikibazo : igiturire, ubusambanyi, amafaranga, … rimwe iraba myiza canke ikaba mibi.

Iki cirwa kiratwereka aho Yosuwa yahinduye imyifato imbere y'Aba Gibeyoni bamuhenze kugera aho we n'abakuru b'ishengero babaha isezerano ryo kubana nabo amahoro bakoresheje indahiro.

**II. Yosuwa n'abakuru b'ishengrero bategerezwa gukomeza indahiro.**

Birashoboka ko Ab'i Gibeyoni bagiye ahantu bagaseka bati : Mbaga abayobozi b'ibijuju, vyabananiye kutuvumbura. Aha turazobana. Nyuma y'imisi itatu barabimenya ko atari aba kure. Ishengero riratangara, kandi rirababara.
Ariko kubwa za ndahiro, ategerezwa kubareka kandi akabakingira. Umurongo **wa 26 :** « *Nuko Yosuwa abagirira nk'uko yavuze, arabakiza, abakura mu maboko y'Abisirayeli, ntibabica* »

## III. Yehova yerekana ububasha bwiwe.

**1.Soma Yosuwa 10:5-11**. Iyi nkuru irerekana umugambi mubi w'abami babangikanije n'ab'i Gibeyoni bagiye hamwa bagatonda uruganba ngo babatere kuko bumvise ko bifatanije na Yosuwa. Yosuwa yerekana imyifato myiza imbere y'iki kibazo. Yemera kubatabara, Uhoraho ahagararana na Yosuwa, yicisha abansi biwe ibibuye bikoragurika biva mw'ijuru nk'urubura.

Abizera barakwiye kumenya ko Uhoraho ariwe mwami wabo kandi ari we ashobora gukoragurira ibibuye ku bakurwanye ndetse no ku bibazo uriko uracamwo. Kwizigira Imana muri vyose ni imyifata ihimbara Umwami Yesu Kristo.

Kubwa ya ndahiro, Yosuwa yabahaye ibikorwa vyo kuvoma amazi no gusenya inkwi babikora banezerewe, bashima no kubaha Uhoraho baheba ibigirwamana vyabo:
• Igihe ab'Isirayeli bakurikira ibigirwamana, ab'i Gibeyoni ntibabikurikiye.
• Igihe bagabura igihugu, ihema ry'Uhoraho baryubatse mu gisagara c'ab'i Gibeyioni kandi Aroni n'abaherezi aba ariho bashinga amahema yabo.
• Inyuma y'imyaka 400 bari i Kanani, umwami Dawidi yubatse urusengero mu gisagara c'ab'i Gibeyoni.
• Imyaka 500 imbere ya Yesu, ab'i Gibeyoni baranditse mu bagarutse i Yerusalemu bavuye i Baburoni mu buhungiro.
.
• Ikindi gikomeye ni uko mu gihe Yeremiya, abi Gibeyoni aribo bamufashije kubaka impome zahomvaguritse.

Burya mu buzima no mw'ishengero nta mburakimazi ibaho. Igihe Ab' isirayeli bamenya ko babahenze, barababaye, ariko bababonyemwo inyungu mu buzima bashimisha Uhoraho muri vyinshi.

**IV. Gushira mu ngiro.**

Naho Yosuwa n'abakuru b'ishengero berekanye ubusamazi mu kwemera ibimenyetso beretswe n'abo I Gibeyoni batarinze kubaza Imana, mu nyuma barerekanye imyifato myiza kuri bo. Ivyo bituma abo nabo bubaha Imana kuko bayibonye nk úmutabazi.
Birashoboka ko ukikujwe n'aba Gibeyoni, imyifato ubereka imeze gute ? Petero yandikira abizeye ati : **:** *« Mugire ingeso nziza mu mahanga, kugira ngo no kuvyo babavuga nabi nk'inkozi z'ibiib ; ibikorwa vyanyu vyiza babona bizotume bahimbaza Imana ku miusi ibagendeye »*
Birashoboka ko imyifato n'ingeso vyawe vyabaye bibi ku b'isi, ni wihane, usenge Umwami Yesu yakuviriye amaraso ku musaraba araguharira yongere aguhindure.

**A LONG DAY : Life of Joshua VI**

**Lesson 151**

**Joshua 10:12-16**

**UMUSI MUREMURE : ubuzima bwa Yosuwa**

**Lesson 151**

Yosuwa:10:12-16

Ijambo ngenderwako :"Ariko Imana yacu iri mw'ijuru, yakoze ibiyihimbaye vyose " Zaburi 115:3.

## I. Intangamarara.

Yosuwa n'abisirayeli bari bamaze kwinjira mu bihugu vy'Abo hakuno ya Yorodani. Intambara hagati yabo ni urudaca. Baratera canke bagaterwa. Bari barushe ariko bakizera isezerano bahawe n'Uhoraho ko ata mwansi azokwigera abahagarara imbere. Iki gihe naco, ni urugamba rubandanya aho bari baje gutabaro ab'i Gibeyoni kuko batewe n'abasmi batanu. Uhoraho abatabara akoresheje iminana y'urubura. Abenshi barapfa ariko abami bo barasigara bahungira mw'isenga ry'i Makeda. Burije kandi abansi bataraherengetera, Yosuwa asavye Izuba guhagarara, kandi rirumviye, intambara irabandanya.

## II. Intambara n'Abamori.

Abamori nabo bategura intambara n'Abisirayeli kuri uwo musi nyene aho abami batanu bari bateye Abisirayeli. Aba bami bose bari bafise ivyizigiro ku bwinshi núbuhinga vy'abasoda babo n'ibirwanisho vyabo. Ibi vyizigiro ntivyamaze umwanya kuko bisanze bataŋguye kurwana intambara batari bamenyereye kandi batigishijwe ingene bovyifatamwo: urubura, bwakeye ariko ntibwira. Mu gihe Uhoraho agomba gutabara abakunzi biwe, inzira akoresha ntawoshobora kuyiserangura.

## III. Isengesho rya Yosuwa.

Iyi ntamabara yatanguye butaraca **Yosuwa 10 :9** Nuko Yosuwa abatera giturumbuka, kuko yaraye araza ijoro ryose ava i Gilugari. Umusi wose uhera ari icumu n'imyampi bivuga. Ntawarushe aronka akanya ko kuruhuka. Yosuwa aca arasenga ati : « *Zuba hagarara kuri Gibeyoni nawe  kwezi hagarara ku kiyaya Ayaloni* ». Biramwumvira. Biraboneka ko yari afise ivyizigiro k' Uhoraha Imana yiwe.

Abahinga muvy'ikirere baremeza ko izuba n'ukwezi bitazungururrka. Isi niyo izunguruka. Mu masaha 24, isi iba yizungurutseko (Rotation) , mu mwaka isi iba izungurutse izuba. Kuri uyu musi, isi ihagarika kuzunguruka; izuba n'ukwezi  biguma bihagaze aho ryahora. Uhoraho arwanirira abakunzi biwe, gushika abansi baherengeteye.

Uyu umusi muremure uheze, Imana ihejeje gushira mu ngiro umugambi wayo, isi isubira kuzunguruka.  Ku wizeye ntaco wosaba Umwami Yesu ngo akikwime abonye bikenewe. Kubera iki ? Ntafise urukundo gusa, ahubwo niwe Rukundo, ikindi, Yesu abona abakijijwe nka benese. Soma **Abaheburayo 2:11**

## IV. Urupfu rw'abami batanu

**Soma Yosuwa 10:22-27**     Uko niko bapfuye kuko bashatse kurwanya umugambi w'Imana. Babakandagira ku mazosi, babamanika ku biti. Yosuwa arababwira ati : *Ntimutinye uko niko Uhoraho azokwama agirira abansi banyu.* Iki gikorwa cababaje Satani cane. Nico gituma yiteguye kuzovyihorera kuri uwo wese azomusanga iyo aba mu gihe yahora yiyita uwakijijwe kandi ari ukwiyorobeka. Nk'uko aba bami batashoboye guhunga amaboko ya Yosuwa, niko n'umunyavyaha atazoronka aho yihisha ku musi w'uguhora kw'Imana.

Yokobo yahanuye abakristo ati : *« Nuko mugamburukire Imana, ariko murwanye  Satani, na we azobahunga* » **Yakobo. 4:7**

## V. Gushira mu ngiro.

**Yosuwa 10:21** « *Ingabo zose zigaruka amahoro aho bacumbitse i Makeba aho Yosuwa ari. Ntihaba hakigira uwotinyuka kugira ico avuga ku muntu n'umwe mu Bisirayeli* » biboneka ko ata wapfiriye ku rugamba.

Uyu munezero Yosuwa n'abo bari kumwe bagize ; ugereranywa n'umunezeo ishengero rya Kristo rizogira ighe abamwakiriye, bakamwizera mu mitima yabo bazoba batabarutse amahoro, banesheje intambara zo mw'isi.

Ni nako wokwibaza ubumaramare ibi bihugu bitanu n'abami bavyo bagize baneshejwe n'igihugu kimwe, abami bagakandagirwa ku mazosi, bakamanikwa ku biti. Uwutakijijwe, azokwicuza icatumye yemerera inyosha mbi za Satani ; kuko arivyo bizomuviramwo urupfu rw'ibihe bidashira.

Kuri wewe wumva wokwifatanya n'abakijijwe mu kwizigira Imana, izuba ricatse, ariko bugira bwire. Ihane ubu nyene, muguhaguruka ugasenga Umwami Yesu arakubabarira, aguhe intsinzi ku mwansi wawe Satani.

THE VICTORY AT HAI

## Lesson 152

JOSHUA 8:1-7 ; 14-29

Memory verse : "Be ye doers of the word, and not hearers only, deceiving your own selves" (James 1:22).

INTSINZI KURI HAYI

## Lesson 152

**Yosuwa 8:1-7 ; 14-29**

**Umurongo ngenderwako** : « *Kandi mube abakora ivyo iryo jambo, ntimube abaryumva gusa mwibesha* » Yakobo **1:22**

## I. Isezerano ryo kunesha.

Intambara zo kwinjira mu gihugu casezeraniwe Aburahamu zirakomeye, nyuma yo gufata Yeriko, Uhoraho ahaye Yosuwa amabwirizwa, ubuhinga n'isezerano ryo gufata Hayi nayo.

Ijambo ry'Imana muri **Zaburi 84:5** riravuga : « *Hahirwa umuntu inkomezi ziwe zihagaze muri wewe, harahiriwe abafise mu mitima inzira zija iwawe.* » Inkomezi z'umuryango wa Isirayeli zari zihagaze k'Uhoraho. Ibi vyabatera ukwizera intsinzi mu ntambara.

Abasirikare bategerezwa gutonda ku rugamba bari biyejeje kuko bari baherutse gukura inyigisho kuri Akani, yacumuye akaba yikwegeye urupfu n'umuryango wiwe wose.

Umurongo wa 1 n'uwa 2 uratera intege Yosuwa n'ingabo zose. Abantu bo muri ivyo bihugu bari bafise umuco wo gukingira ibihugu vyabo mu kwubaka inzitiro z'amabuye. Benevyo bakora ivyaha vyo gusenga ibigirwamana, gusambana, ubwicanyi n'ibindi uko bavyishakiye.

Ni Hayi niko hari hameze. Hari inkuru zemeza ko atamuntu yari bwigere ashobora kuhatera ngo abishobore.  None, haraje ingabo z'Uhoraho.

## II. Ubuhinga bwo gutera.**Plan of Attack**

Abisirayeli ntibari barize ivy'intambara, bari bimariye imyaka mu bugararwa, Uhoraho niwe yababera komanda mu ntambara.  Igihe cose bamwumviye baranesha.

Uhoraho kuko ariwe ashobora guserangura ubwenge bw'abantu bose, yereka Yosuwa ingene aza gutega ambushi abo i Hayi kandi birakunda. Abasoda b'i hayi ntibari bwabone ubwo buhinga bw'intambara. Mu kanya gato bisanze basize igihugu kitagiramwo umusoda n'umwe, baca bisanga hagati y'ingabo z'Abisirayeli, igihugu giturirwa n'umuriro,   baricwa gushika ku 12.000. Umwami wabo arafatwa mpiri, aricwa amanitswe  ku giti.

Umwansi w'agakiza k'umuntu ni Satani. Ariko, igihe  ushize ivyizigiro vyawe muri we, aragutabara kandi Satani agatsindwa.

## III. Intsinzi bahawe no kumvira.

**I Samweli 15:22**"*Erega kumvira gusumba gusumba ibimazi, no kugamburuka gusumba ibinure vy'impfizi z'intama*". Muri iki gihe, Abisirayeli bagiye baratsinda intambara z'abansi babo kubera bama bizeye Uhoraho bakamwumvira muvyo abasavye vyose. Yosuwa yategetswe gutumbereza icumu ryiwe i Hayi, aho intambara iriko irabera. Yarabikoze, umusi wose urarangira gushika baheregeteje abansi b'Imana. Iri cumi niyo masengesho n'ukwizera kw'abemera Yesu Kristu. Vyatuma Imana ibazanako urukundo n'ubuntu bwayo ; bigatuma ibakoresha kugira ihane abansi biwe. Igihe uzoba wumva utagishaka gusenga, uzumenye ko mu kanya utazi uzokwisanga waraguye.

Ivyirwa bizokurikira bizotwereka igihe Aba buzukuru ba Aburahamu bageze aho batacumvira Imana; bikabaviramwo gutakaza ubwizigirwa bari bafitaniye  nayo. Muri ico gihe, naho Imana yabakunda, yarabaheba; ikabashwiragiza mu mahanga. Harabaye imyaka babayeho badafise igihugu kibegukiye. Imana ishimwe kuko igihe baba bihanye, Uhoraho yarabagarukana mu gihugu cabo Isirayeli. Hari ibihugu vyo muri kahise vyazimanganye kubera bitari bishize ivyizigire k'Uhoraho. Ugoma kubaho ibihe bidashira, shira ivyizigiro muri Yesu Kristo.

Ukumvira no gukora ivy'Imana igomba, niko kubaka imigenderanire nyiza n'Imana. Indirimbo rusangi No 189.

## IV. Gushira mu ngiro.

Intsinzi y'Abisirayeli kuri Hayi, bayihawe no kumvira, bagakurikiza urutonde bahawe n'Uhoraho Imana yabo. Abantu benshi barazi ko Yesu ari Umwana w'Imana, yavutse ku nkumi Mariya, yabambwe akazuka ndetse ko yabikoze kugira acungure abantu ariko ; uku kubimenya kukaba mu mitwe gusa. Yokobo yahanuye ngo : « *Kandi mube abakora ivyo iryo jambo, ntimube abaryumva gusa mwibesha »* kubimenya ntubikore ni kwihenda. Ababizi sibo bazoja mw'ijuru, hazojayo ababizi bakora ico bibasaba.

Woba uzi ko gusambana ari icaha, niwasambana kubimenya kwawe ntaco kumaze. Yesu azojana abakijijwe neza.

Shikama, ureka ubwoba, Umwansi wawe Satani ntagutera ubwoba, nkuko Yosuwa ari mu ntambara afise isezerano, niko nawe ufise isezerano ryo gutsinda Satani vuba : **Aboroma 16 :20** « *Imana nyene amahoro izofyonyorera Satani vuba musi y'ibirenge vyanyu »*

Urashobora kuba ufise ubwoba bw'umwansi wawe canke icaha cakwizingiriyeko. Nkuko Yosuwa yatunze icumu I Hayi akanesha, nawe haguruka umwerekezeka amasengesho, uribonera intsinzi uhabwa n'Uhoraho ubu nyene.

THE SOLDIER UNTIL THE LAST BREATH.

Josua 14:6-15

**Lesson 153**

## K'URUGAMBA ; GUSHIKA KU MPWEMU YA NYUMA.

Josuwa 14 :6-15

## Icirwa c'i 153

**Ijambo ngenderwako :** *« Narwanye intambara nziza, narangije urugendo, nazigamye ukwizera, igisigaye mbikiwe igitsibo c'ubugingo ico Umwami wacu, agororotse azompa kuri wa musi. »* **2 Tiomoteyo 4:7,8a**

## I. Intagamarara

Abisirayeli bamaze kwigarurira ibihugu bimwe bimwe, Yosuwa atangura kubagaburira amatongo afatiye ku miryango yabo. Karebu, umwe muri bamwe cumi na babari bari batumwe na Mose gutata igihu akavuga inkuru ziremesha. Mose aca amusezeranira kuzohabwa igihugu yakandagijemwo ibirenge. Aha rero, ariko arasaba guhabwa ico gihugu.

Uyu musirikare Karebu, Imana yaramuzigamye no mu ntambara zari zikomeye kandi imuha inkomezi zitangaje k'urugamba rwo gushikira igihugu kugeza kumyaka 80. Ibi, kwari kugira ntazopfe adashikiriye ivyo yasezeraniwe n'umukozi w'Imana Mose. Iki gihugu ariko arasaba cari kikibamwo Abanaki, vyasaba kuzoharwanira.

### II. Ibihugu vyafashwe n'Abisirayeli.

Yosua yari amaze gusaza mu myaka, bikanaterwa n'uko yakuriye mu bibazo bitandukanye : Yavukiye mu buja muri Egiputa, amara imyaka 40 mu bugararwa, imyaka yanyuma ayimara ari mu ntambara n'Abami b'ibihugu vyo muri aka karere. **Yosuwa 23 :14** « *Ehe ngiye kugenda nk'uko abandi bose bagenda, …* » Naho biri uko, hari hagisigaye ibihugu vyinshi muri ako karere bitarafatwa ngo bavyegukire.

Uhoraho asaba Yosuwa kugaburira imiryango 9 n'igice ibihugu vyo mu burengero ya Yorodani vyamaze gufatwa. No muri ivyo bihugu nyene, hari hakirimwo imvukira zaho

batishwe na Yosuwa n'abasoda biwe. Vyabasaba ko bazoguma barabarwanya, bagatinda bagaherenegetera buhoro buhoro. **Gusubira mu vyagezwe 7:22** « *Kandi Uhoraho Imana yanyu azokwirukana ayo mahanga imbere yanyu buhiro buhoro, ntimwobamarira icarimwe…* » Ntaho abansi b'agakiza bazohava bagaherengetera bose kuko umukristo aba akiri mu ntambara kandi asabwa kutaneshwa.

## III. Abasirikare mu Kwizera.

Abize Umwami Yesu ni Abasirikare barwanira kuzoshikira igihugu co mw'Ijuru. Ni naco gituma atawukwiye guseka uwundi mu gihe abonye ananiwe uyu musi, ashobora kuzotsinda ejo haza. Ikindi, ntawukwiye kwibaza ko asumvya uwndi agakiza kuko hatabaye ugutabara kw'Imana, ataworwanya Satani n'abamarayika biwe ngo abaneshe. **1 Petero 4:12** « *Abo nkunda, umuriro uri hagati yanyu wo kubagerageza ntukabatangaze, nk'aho mushikiwe n'akatabonetse.* »

Nta mageragezwa akwiye kukurwisha kuko abashitse mw'ijuru nabo bayaciyemwo. Abakijijwe bakwiye gufatana amaboko mu gihe umwe muri benedata ageze mu gihe c'intambara. **Ab'i Galatiya 6 :2** « *Mwakirane imitwaro, mushitse mutryo ivyagezwe na Kristo* » niyo aba batoguserukako, wihangane kuko igihugu casezeranwe kizinjirwamwo n'abihanganye kugera kw'iherezo.

## IV. Igisabo ca Karebu.

Igihe Mose yatuma abatasi 12, abashika 10 bazanye inkuru zicavutu mw'ishengero, bituma haba umugumuko. Aabo bose baguye mu bugararwa.  Yosuwa na karebu bari muri abo, nibo baremesheje ishengero. Imana irabashima, ibaha amasezerano y'umugisha. Yosuwa niwe murongozi w'ishengero kandi avugana n'Imana, ikamukoresha ibitangaza. Karebu yari umusore afise umutima w'ukwizera  **Guharura 14:24** « *Kiretse umusavyi wanje Kalebu, kuko yari n'uwundi mutima utari nk'uwabo, akankurikira muri vyose, kandi uruvyaro rwiwe ruzocegukira.* »

Kubera uyu mutima mwiza wa Karebu, vyatumye yegera umurongozi wiwe, amusaba guhabwa igisagara yemerewe. Yisabiye guhabwa i Heburoni ahasanzwe haba abana ba Anaki. Cari igisagara yagenzuye mu gihe baza kugitata kandi Abanaki bari bakikirimwo, akizera ko azobarwanya akabanesha. Ntiyasavye mu kiyaya nk'uko Loti yabikoze agahurirayo n'ivyago.

## V. Inkomezi zitagabanuka.

**Soma Yosuwa 15 :10-11.** Uyu musirikare Karebu yerekanye wa mutima yamanye ko utahindutse. Inkomezi ziwe ntizagabanijwe n'igitigiri c'imyaka yari afise canke ngo abe yaracitse intege kubera ibibazo vy'intambara yahuye navyo.

Igihe cose uzoba ugomba kubona ubwiza bw'Imana, urahagarare ushikame kuco wasezeranye. Umukristo wukuri ntahindagurika kubera ibihe ariko aracamwo. Arizera gushika no ku mpwemu yiwe ya nyuma.

## VI. Gushira mu ngiro.

Karebu yabaye umusoda mwiza mugihe ciwe gushika no ku munota wa nyuma. Ikibabaza Imana ku bizera ba kino gihe ni uko bashobora guhagarara bagashinga intahe ko bakiriye Yesu Kristo nk'Umwami n'Umucunguzi mu buzima bwabo, ariko, mu gihe kanana ukabasanga barajonjogoye kubera  intambara bahura nazo.

Nta ngezi igira amahoro itarashika iwabo. Pawulo, intumwa y'umutima mwiza yavuze ati : *« Narwanye intambara nziza, narangije urugendo, nazigamye ukwizera, igisigaye mbikiwe igitsibo c'ubugingo ico Umwami wacu, agororotse azompa kuri wa musi.* »  Uko Karebu yashikiriye Heburoni inyuma y'intamabara nyishi, niko n'abizera, bazigamye ukwizera gushika ku mpwemu ya nyuma ; bazoshikira ca gihugu casezeraniwe abera, bakabikwa igitsibo c'ubugingo.

Raba inkomezi n'urukundo watanguranye ko zitariko ziragabanuka buhoro buhoro, uce uhaguruka ubu nyene  usenge, Umwami Yesu yongere agukomeze. Nawe uguhagae wiyubre nturwe kuko uzoshikira impembo ari uko ushikanye umusaraba ugikwiye.